*Ruheshi 2024* *kirundi*

# Hari urukundo RUMWE gusa!

**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

**Nk'uko Data yankunze, niko nanje nabakunze** (Yohani 15,9)

Bakunzi ba go4peace,

Imisi yose twama turi mu gitangaro iyo izuba rirenze. Mu muzimagiza ukomeye niho haturuka umuco utanga ubuzima, nko mu gatondo k'irema. Ivyo biradutangaza, ariko tukavyemera. Burya haraba ikintu iruhande yacu, hamwe natwe no muri twebwe. Ukumenya ko mu vyukuri vyose ari vyiza, ico kiradukorako. Vyose vyaremwe ku rukundo kandi bibeshwho n'urukundo.

Yezu yama keshi mu masaha yo mu gatondo ka kare – ariko aganira vyimbitse n'uwo yita Se wiwe, ku buryo bunyengetereye. Yari abizi ko : hari urukundo rumwe gusa. Niho rero yabwira abigishwa biwe ati. „Nk'uko Dawe yankunze, ni ko nanje nabakunze“ (Yohani 15,9)

Urukundo rushaka ko umererwa neza. Ruritanga, rugatanga umwanya w'umwidegemvyo, rukareka umuntu agakura.Mu rukundo wavukiyemwo kandi uhamagariwe, igikuru ni ugukunda. Aho niho uzokura.

Umusi umwe hari umugenzi batwaye mu bitaro atari avyiteze. Emwe ntiyari amerewe neza na mba. Muri jewe nariyumvamwo icipfuzo co kuja kmusuhuza. Niho rero nigizayo amasango amwe amwe, nca ndaja kumuraba. Ngo ambone ahakwa gukorora amosozi. Hagati mu vyuma bihanitse vy'abaganga, twarashoboye kwiyagira utwacu turahimbarwa. Naramwemereye ko nzosabira kandi nkaja kuraba umugore be n'abana yari asanwe yitwararika. Igihe twatandukana vyaragaragara ko: **Hari urukundo rumwe gusa!**

kubwa go4peace-Team Meinolf Wacker